www.kidworship.kr

# Kayini Na Abeli

- 3rd Story -




17Page

Uwuvuga: Adamu na Eva bamwe Imana yatanguye kurema bavyaye abahungu babiri. Umukuru yitwa Kayini uwumukurikira akitwa Abeli. Abo bahungu bakuze n'ingoga.

Kayini: Haa...isi ntitetereza ibikorwa vy'umwete. Rero...dukore?

Abeli: Ego...nivyo, ni vyiza...eeeh...urandigadize! Hahahaha!

Uwuvuga: Kayini araheza atorana uburimyi. Ararima cane arimbura imbuto n´ivyamwa vyinshi cane. Murumunawe Abeli nawe aba umwungere. Abeli yaragira intama ziwe imisozi itotahaye akazirinda n'inyamaswa.




18Page

Uwuvuga: Umusi umwe Abeli azana ibimasa vy'izavutse mu mikuku yiwe gushikanira Imana. Mukuru we Kayini nawe azana ishikanwa ku vyo yimbuye. Ariko Uhoraho yakira ishikanwa rya murumuna we ryonyene- ntiyaraba ryiza ivya Kayini, bitera Kayini kwijirirwa no gusharika murumuna we Abeli.

Kayini: Kuki Imana yakira ishikanwa rya Abeli ryonyene? Iyaba atahari...Imana yontonesha nanje...

Uwuvuga: Umutima wa Kayini widogera Uhoraho ugirira n´ishari murumuna we Abeli. Bituma umusi umwe Abeli atakara. Imana irabaza Kayini :




19Page

Imana: Kayini, mbega Abeli ari hehe?

Kayini: Mukiza, mbega nobimenya gute? Ndi umurinzi wiwe? Nitayeho imirima; ntegerezwa kuguma nibagarira imirima yanje kandi...

Imana: Kayini! Wakoze iki?"

Uwuvuga: Imana yari izi ivyabaye. Kayini agerageza kuyovya Imana ku vyabaye, ariko yari azi iyo murumuna we Abeli ari.



20Page

Kayini: Aho biratunganye....Abeli...tutari kumwe...! Argh!!

Uwuvuga: Kayini yari yakubise Abeli amwicisha ibuye ry'umunana. Abeli aravirirana hanyuma arasandaba, niho Imana yabaza Kayini ariko yari izi ivyabaye naho Kayini yagerageza guhenda Imana.



21Page

| | |
|---|---|
| **Imana** | **“Amaraso ya murumuna we washeshe yansaze mw´juru avuye kw'isi”**<br>**“Kuva ubu isi ntizongera kukwimbukira, uzoba inyangazi kw’isi yose ataho uragama.”** |
| **Kayini** | **Mukiza, niwankura muri iyi si natavye nkarima ukangira in-yererezi mw´isi, uwo tuzohura wese azonyica.** |
| **Uwuvuga** | **Kayini yibaza ko Imana yamuhevye agira ubwoba ko azok-wicwa niyangara kw’isi. Ariko naho yayicumuyeko, Imana yamugiriye impuhwe isezerana ko ata muntu numwe azom-wica. Kayini, mu gahinda kenshi, ava imbere y´Imana agere-ra mw’ itongo ry’ i burasirazuba bwa Edeni.** |